Bibiliya y'Abana
Ishikirije

# Yesu Ahumuza Umuyaga Mukiyaga




Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique




Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org



©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Yesu n'abigishwa biwe bari mubwato, niho haza umuyaga w'igihuhusi. Ikiyaga c'i galilaya gitangura gukubebwa. Ubwoko bw'uwo muyaga warashobora gutuma ubwato butwarwa n'abantu bagapfa.

Umuyaga wari uteye ubwoba abigishwa. Imipfunda yagomba kurengera ubwato, ngo ibwuzuze amazi. Ariko Yesu yari asinziririye k'umusego, aryamye m'umuyaga. Abigishwa baca bavyura Yesu, bavuza induru bati: "Mwigisha, Mwigisha, tugira dupfe!"




3

Yesu abaza abigishwa biwe ati: "Nikuki mutinya, mwabantu b'ukwizera guke?" Hanyuma aca ategeka umuyaga guhagarara n'imipfunda guhora bikaguma bitekanye.




4

KANDI UMUYAGA UCA URAHAGARARA...
IKIYAGA GICA KIRATEKANA KIBA AMAHORO.
Abigishwa batangaye baravuga bati: "Uyu ni umuntu ki umuyaga n'ikiyaga ko bimwumvira!"




5

Haheze igihe gito, Yesu yongera kugira umusi wo gukora. Abantu barenga 5000 bari bamukurikiye mubugararwa. Kubw'ubushobozi bw'Imana, Yesu yarashoboye kugaburira iryo gugu ry'abantu akoresheje utuntu duke cane tw'umusore w'umuyabaga. K'umugoroba, Yesu aca abwira bose ko bataha.




6

N'abigishwa bategerezwa kumusiga. Yesu ababwira ngo burire mubwato kugira ngo bamwitangire imbere kuja m'urundi ruhande rw'ikiyaga c'i galilaya.



7




Amaze kubarungika bose, Yesu aduga k'umusozi gusenga. Bukeye mugatondo, yari wenyene muri ico kibanza.

8



Kukiyaga, abigishwa bari batewe n'umuyaga mwishi. Uwo muyaga ubabuza kujabuka ikiyaga, bariko bagerageza gusoza bamaze amasaha meshi. Abigishwa ntibari babizi, ariko igitangaza kidasanzwe cari kibarindiriye!


9




Hagati y'isaha cenda n'isaha cumi na zibiri z'ubuca, mumazi ariko arasurirana kubera umuyaga, abigishwa babonye ikintu kiza iyo bari, baca buzura ubwoba bwishi. Bavuza induru bati: "Ni igihume!" Ariko yari Yesu, Umwami n'Umwigisha, yariko aza abagana, ATAMBUKA KU MAZI.

10

Yesu aca arababwira ati: "Mubimenye neza, ni jewe, ntimugire ubwoba!" Petero aramwishura ati: "Mwami, ni yaba ari wewe, mbwira nze aho uri kumazi." Yesu aramubwira ati: "Ingo!" Petero ava mu bwato n'umwete, agendagenda kumazi aja aho Yesu ari.



11




Ariko abonye ko umuyaga ari mwishi, agira ubwoba aca atangura kwibira. Aca avuza induru ati: "Mwami, nkiza!"

12

Ubwonyene Yesu aramvura ukuboko, aramufata, aca aramubwira ati: "Muntu w'ukwizera guke, ni kuki ukekeranya?" Baca burira mubwato, kandi umuyaga uca urahagarara.



13



Abari muri ubwo bwato baca baraza bikubita imbere ya Yesu, baravuga bati: "Ni ivy'ukuri uri Umwana w'Imana."

14

Yesu Ahumuza Umuyaga Mukiyaga

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Matayo 8 na 14; Mariko 4; Luka 8

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130



# Iherezo

48 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16